**Best Start Kindergarten Assessment**
**Information for parents and carers**

# Isuzuma ryiza rya mbere mbere ryo guha abana binjira mw'ishuri ry' Ibidudu

## Inkuru yo guha abavyeyi n'abarezi

Banyakwubahwa bavyeyi n'abarezi

Isuzuma ryiza rya mbere ryo guha abana binjira mw'ishuri ry' Ibidudu rizobera kuri iryo shuri ryacu muri gice ca 1.

Isuzuma ryiza rya mbere ryo guha abana binjira mw'ishuri ry'Ibidudu ni ikibazo gikorwa mu gihugu cose gifasha kwereka abigisha urwego abana bagezeko rwo gusoma no guharura ku munyeshuri wese yinjira mu mwaka wo kwimenyerezamwo w'Ibidudu. Ibi bifasha abarimu gupanga no gutegura ivyigwa bishigikira neza uburyo umwana wese yiga.

Abana baza gutangura ishuri ryo kwimenyererezamwo bafise ivyo baciyemwo vyinshi kandi bafise n'ivyo bazi bitari bike. Bamwe baja barabonye ibitabu, barashobora kumenya indome zigize ururimi rw'ikingereza, bamwe mbere baranashobora kwandika amazina yabo, abandi barashobora guharura gushika kuri cumi, igihe abandi bataba baramenya na kimwe muri ivyo.

Isuzuma ryiza rya mbere ryo guha abana binjira mw'ishuri ry' Ibidudu giha abigisha akaryo ko kwicarana n'umwana umwe umwe, ashingiye cane ku co umwana ashoboye gukora.

Iryo suzuma si ikibazo yamara riha abigisha inkuru zikomeye zo gufasha gushigikira ingene umwana yiga mw'ishuri. Nimba wipfuza gukura umwana wawe muri ryo suzuma, gerageza urondera iryo shuri mubivugane.

Ibi vyungikanije kuri uru rukaratasi bitanga izindi nkuru kw'Isuzuma ryiza rya mbere ryo guha abana binjira mw'ishuri ry'Ibidudu.

Gerageza urondere iryo shuri nimba ufise ibibazo ku vyerekeranye n'isuzuma ryiza rya mbere ryo guha abana binjira mw'ishuri ry'Ibidudu.

## Ibikorwa vyo gufasha gusobanurira abatazi ururimi kuri Telefone

Nimba ukeneye uwugusigurira kugira ngo agushikire kuri iryo shuri, gerageza uhamagare kuri iyi telephone 131 450 maze uce usaba uwugusigurira mu rurimi rwawe. Uwo musiguzi azohamagara ishuri hanyuma agume ku murongo kugira ngo afashe mu gusigura muri ico kiganiro. Nta mahera uzosabwa kuri ivyo.

Umuyobozi